**RCC 10289**

**AMAJAMBO MAKURU MAKURU**

**Isambuzwa ry' urubanza (rishemeye) – icegeranyo c'urubanza – iciyumviro canditse – indagano zitegekanijwe n'amategeko – itongo ryaguzwe – kugura itongo umuryango uhari – "acte de notoriété" – kurima itongo atankomanzi – kutagira ububasha bwo kugurisha – gukomeza urubanza – guca urubanza hisunzwe urundi rwaciwe – urupapuro rwerekana ubuguzi – kwirengangiza ivyemezo – kudasurisha amasura – kwirengagiza ingingo ziri mugitabo ca mategeko – kutagira uburenganzira bwo kuburana – Sentare ntiyishuye imburano (art. 23 C.P.C.) – ikete ryo gufata igurishwa – kwerekana ikintu ubwa mbere muri gasamburamanza – kugirisha itongo hatariho abo mu muryango w'uwugurisha – kumenyesha umuryango ko wokugurira itongo canke ukagurisha n'abandi – ikibazo gituma urubanza rusambuka – kwinumira bisigura kurekura – kumenyeshwa ijambo ukica amatwi – gufata buno nyene mumaguru masha – kuburana umuryango waguhaye uburenganzira bwo kuburana – Sentare yerekana imburano z'umuburanyi wese ikagira n'ico ibivuzeko.**

**URUBANZA**

- 1 -

RCC 10289
SENTARE NTAHINYUZWA ISHASHE MURI GASAMBURAMANZA YACIYE URUKURIKIRA INTAHE Y'ICESE YO KU WA 31/1/2005.

UWITWARA: NZ. Jérôme, Umusozi Kibezi, Komine Mugamba, Province Bururi.

UWITWARIRWA: NK. Eric, Umusozi Maramvya, Komine Burambi, Province Bururi.

Twihweje ikete ryo ku wa 16/8/2002 ryashitse mw'iyandikiro ry'imanza italiki 23/8/2002, NZ. Jérôme yandikiye umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa irimwo Gasamburamanza ayisaba isambuzwa ry'urubanza RCA 4104 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bururi kw'igenekerezo ryo ku wa 25/7/2002 narwo rukaba ruvuga ruti :

Sentare ibanje gushira urubanza mu mwiherero w'abacamanza nk'uko amategeko abivuga ;

Ishinze ko :

- Sentare yakiriye urubanza rwungurujwe na NZ. Jérôme mugabo isanze atakarusho ;
- Hakomejwe urubanza n° RC 2761/2000 rwa Sentare y'Intango ya Mugamba rwo ku wa 26/6/2000 ;
- Amagarama y'urubanza 11.000 FBu atangwa na NZ. Jérôme mu ndagano y'iminsi 8 itarenga.

Twihweje ko NZ. Jérôme yamenyeshejwe urwo rubanza italiki 5/8/2002 ;

Twihweje ivyireguro NK. Eric yashikirije Sentare ;

Twihweje icegeranyo c'urubanza cagizwe n'icegera c'umukuru wa Sentare Ntahinyuzwa ku wa 25/10/2002 ;

Twihweje iciyumviro canditse cagizwe n'umushikirizamanza mukuru ku wa 26/12/2002 ;

Twihweje ko urubanza rwashizwe ku wa 20/6/2003 ;

- 2 -

Twihweje ko rwagiye rurasubizwa ku magenekerezo ya 10/10/2003, 22/1/2004 na 3/5/2004 ;

Twihweje ko Sentare yahamagaye urubanza muri iyo ntahe y'icese yanyuma ababuranyi bakitaba bakongera bakumvirizwa ;

Sentare imaze gutohoza neza urubanza ikanyurwa yarahavuye irushira mu mwiherero w'abacamanza iraheza ishinga urukurikira :

Kubera ko NZ. Jérôme asambuza urubanza RCA 4104 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bururi kw'igenekerezo ryo ku wa 25/7/2002 ; ko yarumenyeshejwe italiki 5/8/2002 agaca yandika imburano zo kurusambuza zashitse mw'iyandikiro ry'imanza ku wa 23/8/2002, akongera agashinga uyo munsi nyene ;

Kubera ko lero NZ. Jérôme akwiye kwakirwa kuko yituye Sentare mu ndagano zategekanijwe n'amategeko ;

Kubera ko ababuranyi bapfa itongo, ko mu kwitwara NZ. Jérôme yavuga ko Sentare y'Intango ya Mugamba yamurenganije kuri iryo tongo yiguriye izuba ryaka, n'umupfasoni NI. Régine, ngo kandi yari yaritsindiye mu rubanza RCA 934/85 baburana na se wa KU. Charles (BI. Benoît) ;

Kubera ko NZ. Jérôme yemeza ko umuryango wa NI. ariho wari igihe yatanga amafranga aguze iryo tongo umuliyoni (1.000.000 FBu) abo nabo bakaba ari aba : NI. umuhungu wiwe B., KA. n'umugore wiwe, ba se wabo, bene wabo naba nyina, bakaba barabitereye n'ibikumu ;

Ko n'amasezerano yabaye imbere, ngo ndetse afise na "Acte de Notoriété" ivyemeza ngo none bihindukije kuko babonye nyene itongo ariwe nyene kugurisha yitavye Imana;

Kubera ko uwitwariwe nawe yavuga ko NI. yari muka GI., akaba mu ka se wa BI., ko ari co gituma BI. yamuburanije mu rubanza RCA 934/85 agatsindwa ;

Ko uyo NI. yategerezwa kurima iryo tongo ata nkomanzi kuko yarisigaranywe n'umugabo wiwe GI., mugabo ko ata bubasha yari afise bwo kugurisha ;

Ko iryo tongo ritigeze rigurishwa, ko yagumye avyereka Sentare, iyi nayo ikabura ivyemeza ko ryaguzwe ; ko ari ubusuma NZ. Jérôme yagomvye gukoresha ngo atware iryo tongo mu mpisho ;



Kubera ko Sentare y'Intango ya Mugamba yashikirijwe ubwa mbere urwo rubanza yarutohoje hanyuma igashinga ko ata rupapuro na rumwe canke ikindi kintu na kimwe cerekana ko NZ. Jérôme yaguze itongo na NI. Régine ;

Ko naho yari kuba yaraguze abaryango badatanze iciyumviro yosubijwe amahera ;

Ko abantu NZ. yoba yarahaye amahera azobitwarira ukundi;

Kubera ko urwo rubanza arirwo rwahavuye rukomezwa na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bururi ;
Kubera ko lero mu gusambuza urubanza RCA 4104 NZ. Jérôme ashimikira ku mvo zikurikira :

- Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bururi yarandenganije mu guca urubanza yisunze urubanza RC 27/61/2000 rwa Sentare y'Intango ya Mugamba ruvuga ko naguze itongo ry'umuryango kandi iryo tongo nari nariguze na NI. Régine n'umuhungu wiwe B. Pierre n'umuryango wabo ukoranye, uwo NI. yari yaratsinze ko BI. ariwe se wa KU. Charles ;
- Sentare yarandenganije mu kuvuga ko ata rupapuro na rumwe mfise rwerekana ko naguze na NI. kandi mfise « Acte de Notoriété » yasinyweko na NI. n'umuhungu wiwe B. n'izindi mpapuro n'amasura yasuye muri Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bururi ; mugabo Sentare ikavyirengagiza ;
- Sentare yarandenganije mukudasurisha amasura ane nari narengukanye mu ntahe y'icese yo ku wa 12/3/2002, aribo NS. Oscar, Y. Athanase, BAK Gérard na H. Charles ;
- Sentare yarandenganije mu kwemeza ko GI. yasigiye itongo abana biwe BI. na ND. kandi atari vyo kuko uwo BI. yaritsinzwe ko, rigatsindira NI. mu manza RC 158/79 na RCA 476/88 ;
- Sentare yarandenganije mu kuvuga ko umuryango wafashe amakete bayanditse bagomba kunyiba kubera NI. yari yamaze kwitaba Imana ;
- Sentare yarirengagije ingingo za 204 n'izikwirikira za C.C.L. III mu kuvuga ko ata cemeza ubuguzi mfise kandi biriho ;
- Sentare yarirengagije ingingo za 35, 36 na 37 z'igitabu kigenga iburanishwa z'imanza z'amatati mu kutumviriza abantu bateye igikumu ku mpapuro zemeza ko ubuguzi bwabaye ;
- Urubanza RC 2761/2000 ntirwari kwakirwa kuko NK. Eric yarushinze ata burenganzira afise bwo kuburana ;
- Sentare ntiyishuye imburano ziwe, ikaba lero yararenze ingingo ya 23 y'igitabu kigenga iburanishwa ry'imanza z'amatati ;

Kubera ko uwusamburizwa yiregura avuga ko NZ. Jérôme ata muryango basangiye, arico gituma atarekuriwe kugurira itongo muka GI., ko B. nawe (umuhungu wa NI.) yitwaza ko yoba yaremeye ko itongo rigurishwa ariwe yatanguye kwandika amakete yo gufata ;



Kubera ko abandanya avuga ko Sentare ikwiye kuraba neza ngo kuko impapuro uwusambuza ariko arayereka ubu zitigeze ziboneka haba muri Sentare y'Intango canke y'iyungururizo, ko ivyo yagize vyose bihagaze k'ubusuma n'ubwambuzi mu guhenda umutamakazi ageze mu zabukuru ;

Kubera ko uwusamburizwa aheraheza asaba ko itongo rya GI. ryogaruka mu maguru masha mu muryango wiwe ;

Kubera ko Sentare iravye imburano z'ababuranyi zaba izanditse canke izo bavugiye ku munwa ikwiye kubatandukanya yisunze amategeko ;

Kubera ko nkuko tumaze kubivuga ikirego ca mbere uwusambuza yatanze cerekeye ko Sentare yamurenganije mu kuvuga ko yaguze itongo ry'umuryango ngo kandi yariguze na NI. amaze kuritsindako BI. Benoît ngo akaba yariguze umuryango ukoranye ;

Kubera ko ari ivy'ukuri NI. yagurishije itongo amaze gutsindako BI. ndetse n'urubanza rugakurikizwa ; ko ico gihe nyene hariho abantu bo mu muryango wa GI. babona bakaba baranateye umukono ku rupapuro rw'ubuguzi ; nk'akarorero twovuga KU. Charles (se wa NK. Eric na NS. Onésphore sewabo wa KU.) ;

Kubera ko mu rubanza rusambuzwa havugwa ko NI. amaze kuritsindako umuhungu w'umugabo BI. Benoît yaciye yandikira umuryango italiki 28/5/85 kugirango urigure, utabishoboye arigurishe n'uwundi ariko akaba ata nyishu yaronse ;

Kubera ko kw'igenekerezo ryo ku wa 8/6/1998 NI.n'umuhungu wiwe B. bongeye kwandikira umuryango basaba inyishu y'iryo kete ku wa 11/6/1998; ariko batigeze bayironka;

Kubera ko ikitumvikana muri uru rubanza ari uko NI. amaze gutsinda BI. kuri iryo tongo riri mu matati yandikiye umuryango incuro zibiri zose awumenyesha ko worigura ataraho naho akagurisha na murundi ;

Kubera ko umuryango ata kintu wigeze umwishura mu maguru masha, bunonyene ata mwanya muremure uhaciye none bagiye kuvyuka ubu babonye NI. yitavye Imana ;
Kubera ko ico kibazo c'umwanya tubona ko gihambaye cane kuko mu gihe umuryango winumiye bica bisigura ko warekuriye NI. kugurisha n'uwo ashatse none gikwiye gutuma urubanza rusambuka ;

- 5 -

Kubera ko kuvyerekeye ikirego ca kabiri uwusambuza yatanze avuga ko Sentare yamurenganije mu kuvuga ko ata cemeza ko yaguze na NI. kandi afise "Acte de Notoriété" ivyemeza icibonekeza ari uko NZ. Jérôme yaguze itongo na NI. amasura akavyemeza na cane cane hakaba hari abantu bari mu muryango bateye igikumu ku masezerano y'ubuguzi none nico kirego tubona ko gishemeye ;

Kubera ko ku kirego uwusambuza yongeye agatanga kivuga ko Sentare itamwumviririje ; turavye idosiye baburaniyeko muri Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bururi tubona ko iyo Sentare yumvirije amasura kandi noneho igihambaye kandi tumaze kuvuga aho haruguru ari uko NI. yagurishije iryo tongo umuryango ukavyemeza ;

Kubera ko ikirego NZ. Jérôme yongeye gutanga avuga ko Sentare yamurenganije mu kuvuga ko GI. yasigiye itongo abana biwe BI. na ND. ngo kandi atarivyo ikigaragara ari uko iryo tongo NI. yaritsinze ko BI. ko n'imbere y'uko arigurisha yabimenyeshe BI. na ND. abasaba ko barigura canke naho akarigurisha n'abandi ariko bakica amatwi ;

Kubera ko ikindi kirego uwusambuza yatanze avuga ko Sentare yamurenganije mu kuvuga ko umuryango wafashe, icibonekaza ari uko uyo muryango utigeze ufata bunonyene mu maguru masha ahubwo wagiye kuvyuka NI. amaze gupfa ;

Kubera ko ku kirego kivuga ko Sentare yirengagije ingingo za 35, 36 na 37 z'igitabu kigenga iburanishwa z'imanza z'amatati mu kutumviriza abantu bateye igikumu ku mpapuro zemeza ubuguzi bwabaye twamaze kucishura tuvuga ko ubwo buguzi bwabaye bukaba bwaremejwe n'abantu bamwe bamwe bagize umuryango bakawutera ko igikumu ;
Kubera ko ikindi kirego kivuga ko urubanza RC 2761/2000 rutari kwakirwa kuko NK. Eric yarushinze ata burenganzira afise bwo kuburana kidashemeye kuko igihe yaburana umuryango wamurekuriye ukamuha uburenganzira bwo kuburana nk'uko amategeko abitegekanya ;

Kubera ko n'ikirego kivuga ko Sentare itumvirije imburano ziwe tubona ko kidashemeye kuko tubona ko Sentare yerekanye imburano z'umuburanyi wese ikagira n'ico izivuze ko ;

Kubera ko impera n'imperuka ibirego NZ. Jérôme yatanze ahanini bishemeye none urubanza RCA 4104 rukwiye gusambuka kugira ngo Sentare irurungikiwe yongere irutohoze neza na cane cane irabe umwanya wahaciye NI. agurishije itongo riri mu matati abanje kubimenyesha umuryango n'igihe uwo muryango wamwishuriye yongere itohoze imenye igituma umuryango utafashe mu maguru masha NI. akigurisha iryo tongo, kandi amasezerano agategwako igikumu n'abo mu muryango ;

- 6 -

K U B E R A I Z O M V O

SENTARE NTAHINYUZWA IRIMWO GASAMBURAMANZA ;
Yihweje Ibwirizwa n° 1/018 ryo ku wa 20 Gitugutu 2004 ryerekeye Ibwirizwa Nshingiro Mfatakibanza rya Republika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa n° 1/004 ryo ku wa 14 Nzero 1987 ryerekeye iringanizwa ry'amaSentare n'ububasha bwazo ;

Yihweje Itegeko-Bwirizwa n° 1/51 ryo ku wa 23 Mukakaro 1980 ryerekeye isambuzwa n'iburanishwa ry'imanza muri Sentare Ntahinyuzwa ;

IMAZE KUJA MU MWIHERERO W'ABACAMANZA NK'UKO AMATEGEKO ABIVUGA ;

ISHINZE KO :

- Yakiriye isambuzwa ry'urubanza nk'uko ryagizwe na NZ. Jérôme kandi isanze ahanini rishemeye ;
- Irasambuye urubanza RCA 4104 rwaciwe na Sentare Nkuru y'Igihugu ya Bururi kw'igenekerezo rya 25/7/2002 ;
- Irurungikiye iyo Sentare nyene kugira ngo iruce hashashe abandi bacamanza ;
- Ivuze ko iyi ngingo yandikwa mu bitabo vy'imanza vy'iyo Sentare hambavu y'urubanza rusambuwe ;
- Amagarama atangwa na NK. Eric uko ari…

Uko niko ruciwe kandi rusomwe I Bujumbura mu ntahe y'icese yo ku wa 31/1/2005, hashashe, umukuru w'intahe, abacamanza, bafashijwe n'umushikirizamanza mukuru n'umwanditsi

**KWIHWEZA URUBANZA**

Urubanza rufise inkomoko kw'itongo Jérôme avuga ko yaguze umuliyoni umuryango wa Régina ariho uri mbere n'amasezerano akagigwa iryo tongo riguzwe rikaronkegwa na "acte de notoriété". Abo biburana n'abo bakavuga ko umugore Régina yagurishije itongo atabifitiye ububasha, yari kuba mw'itongo yasigaranywe n'umugabo, mugabo ntabubasha na buto yari afise bwo kugurisha. Mbere ama Sentare ya mbere yose agahurira ku ciyumviro c'uko atarupapuro na rumwe rwemeza ubwo buguzi, ko naho bwoba bwarabaye abaryango batabizi yosubizwa amahera.

Uwusambuza urubanza avuga ko Sentare yamurenganije mu kuvuga ko yaguze itongo ry'umuryango, kandi, ivuga ko atarukaratasi na rumwe rwerekana ubwo buguzi, kandi, afise "acte de notoriété", gurtyo ikirengangiza ingingo ya 204 C.C.L. III nizikurikira.

Sentare ngo ntiyagarukiye ngaho yaranse no kwumviriza abantu bateye igikumu ku mpapuro zemeza ubuguzi, irakira urubanza rushinzwe na Eric ataburenganzira afise bwokuburana, ntiyishuye no kumburano uyu asambuza yishimikije.

Uwusamburizwa nawe avuga ko guhera amenya ko ubuguzi bwababaye yaciye yandika amakete yo gufata. Agaca ahubwo avuga ati, izo nkaratasi ziriko zirerekanwa ngo niz'igurizo zitigeze ziboneka muri Sentare y'intango canke y'iyungururizo, Sentare Gasamburamanza ntiyozemera na gato.

N. muvy'ukuri yagurishije itongo ry'umuryango mugabo n'aho yagurishije iryo tongo yari yaritsinzeko umuhungu w'umugabo wiwe; rikaba rero ryari rwiwe nk'uko amategeko abitegekanya. Agomba kugurisha yarandikiye n'umuryango ko womugurira atari aho naho akagurisha na barundi. Kubera ko yanditse incuro zibiri zose ntaronke inyishu mu maguru masha, maze uwo muryango ukaba wagiye kuvyuka aho N. yitabiye Imana, ukwo kwinumira kukaba gusigura kwemera (consentement tacite), aho imvo yambere yogusambuza igaca iboneka ko ifise ishingiro.

Imvo yerekana icemeza amasezerano haboneka "acte de notoriété" igaragaza ubwo buguzi mbere n'abo mumuryango w'uwugurisha bakaba barateyeko igikumu; mugabo ngaha tukaba tuca twibaza igituma Sentare Ntahinyuzwa irimwo Gasamburamanza itaravye ko iyo "acte de notoriété" yoba yarashikirijwe ama Sentare ya mbere canke naho igituma itoba yarerekanywe muri ayo ma Sentare gutyo Gasamburamanza ntiheze ngo yakire urwo rwandiko rwoba rwerekanywe gusa imbere yayo naho rwoba rudashobora gukura amasezerano yabaye imbere.

Aha rero turashigikiye ingingo yo gusambura urubanza urubanza.